IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

IRIMA RY'INGANO

TWOFUMBIRA GUTE?		IBINGANA GUTE?	RYARI ?	GUTE ?
Gushiramwo ishwagara mu gihe isi ifise uburakari		Ibiro mirongo itatu vy'ishwagara yoroshe kandi yumutse kuri are imwe uko imyaka ibiri iheze	N'imiburiburi hasigaye indwi zine ngo bateragire (ukwezi)	Kuyisanzaza mu murima bagaca bayizika buno
Gufumbira bakoresheje amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega		Kugumiza ibiganogano mu murima	Bahejeje gusarura	Mu kubishira muri nyabarega canke bakabizika mw'irima rikwirikira
		Ibiro 100 vy'amase y'ibitungwa canke umwavu wo muri nyabarega uvunze neza (ibivumvu 4 vyuzuye)	Mu gihe bariko bararinganiza ubusize imbere y'ibiba	Kuwusanzaza hejuru mu murima, hanyuma bakawuzika mu kuzimu bariko bararinganiza ubusize
Gufumbira bakoresheje Umwavu w'ikizungu bafumbiza ubwa mbere		Ikiro kimwe c'ifumbire yitwa DAP kuri are imwe	Mu gihe c'ibiba	Kuwumija urutavanako mu mirongo
Umwavu w'ikizungu wongerwamwo		Inusu y'ikiro c'umwavu wera nk'isukari witwa Urée	Igihe ingano zitanguye kuvyarira mu mbavu	Kumija mu murima

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST

Tegera neza : *- Ingero zirashobora guhinduka bivuye : Ingene ishwagara yoroshe, ubusisire burimwo ingene PH y'isi ingana ;*
- Ku mase y'ibitungwa no ku bitabizo bihinguye hamwe n'uburyohe isi yarisangwanywe.

IFISHI IFASHA MU KUJIJURA ABARIMYI

INDWARA NKURU NKURU N'UBUKOKO

INDWARA CANKE UBUKOKO	IBIMENYETSO VYAZO	UBURYO BWO GUKINGA	IMITI YO KUVURA	URUGERO RW'IMITI
Indwara yitwa Sebutoriyose		- Kubahiriza ibihe vyo kubiba; - Gutera imbuto zirobanuye; - Guturira ibiganogano inyuma y'isarura; - Kubahiriza ikurakuranya ry'ibiterwa ku myaka 3.	Bakoresha umuti witwa Ditane M45 hagakwirikira uwitwa Tilti igihe ingano zitanguye kuvyarira mu mbavu	Amagarama 20 ya Ditane mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe Mililitiro 10 za Tilti (imirumyo 2 ya fanta)mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe
Indwara yitwa Oyidiyumu		- Kubahiriza ibihe vyo kubiba; - Kurandura ingano zimeza; - Kubiba ubwoko bwarobanuwe; - Guturira ibiganogano inyuma y'isarura; - Guteragira ku mwanya mwiza.	Bakoresha umuti witwa Ditane M45 hagakwirikira uwitwa Tilti igihe ingano zitanguye kuvyarira mu mbavu	Amagarama 20 ya Ditane mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe Mililitiro 10 za Tilti (imirumyo 2 ya fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe
Ingese isa n'umuhondo		- Gukurakuranya neza ibiterwa: Ingano ntizosubirira izindi canke ngo ziterwe ahavuye amasaka canke ibigori - Kubiba ubwoko bwarobanuwe - Guturira ibiganogano inyuma y'isarura - Kubahiriza ibihe vyo kubiba.	Bakoresha umuti witwa Ditane M45 hagakwirikira uwitwa Tilti igihe ingano zitanguye kuvyarira mu mbavu	Amagarama 20 ya Ditane mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe Mililitiro 10 za Tilti (Imirumyo 2 ya fanta) mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe
Ingese isa n'inginagina				
Ingese yirabura				
Impfunya canke imbaragasa arizo Pisero		Gukura ishamba riri hirya no hino	Gupompa umuti witwa Dimetowate	Mililitiro 15(uturumyo 3 tw'i fanta) mu malitiro 15 y'amazi kuri are imwe mu gihe ingano zimeze, igihe ziriko zirakura no mu gihe ziyangitse
			Canke	
			Gupompa umuti witwa Desisi	Millitiro 10 z'umuti mu malitiro 10 y'amazi kuri are imwe mu gihe ingano zimeze, igihe iziriko zirakura no mu gihe ziyangitse

Are imwe ingana na metero icumi z'uburebure kuri metero icumi z'ubwaguke (10 x 10)

IFDC CATALIST